**IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'UMURWI WIGENGA UJEJWE GUTUNGANYA AMATORA KU RWEGO RW'IGIHUGU (CENI) KU MATORA Y'ABAJENAMA N'ABAKURU B'IMITUMBA N'AMA KARITIYE BIGIZE IGIHUGU C'UBURUNDI YABAYE KU WA 25/08/2025**

**CENI, IGENEKEREZO RYA 03 /10/2025**

1. Nk'uko musanzwe mubizi muri uyu mwaka w'2025 haratunganijwe amatora y'abashingamateka, y'abajenama b'ama komine, y'abakenguzamateka hamwe nay' abajenama b'imitumba n'ama karitiye.Mukiganiro c'uno musi twagomba kugira ico dushikirije kubijanye n'amatora y'abajenama b'imitumba n'ama karitiye na cane cane kuvyerekeye ingene abatashimishijwe n'ivyavuye mu matora bunguruje.

2. Tubanze twibutsanye ingingo zimwe zimwe:

- Kuvyavuye mu matora y'Umukuru w'igihugu, ay'abashingamateka, n'abakenguzamateka iyungururizo ryambere ni muri CENI, iryanyuma ni muri Sentare ijejwe kwubahiriza Ibwirizwa Shingiro kandi ingingo ifashwe na Sentare ijejwe kwubahiriza ibwirizwa Shingiro ni **ntabanduka** nk'uko tubisanga mu ngingo ya 84 y'ibwirizwa rigenga amatora ivuga iti : « *Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ni yo ifise ububasha bw'uguca imanza z'abitwariye amatora y'Umukuru w'Igihugu, ayo abashingamateka, ayo abakenguzamateka n'ayo abenegihugu bararikiwe kwemeza canke guhakana ibwirizwa canke iyindi ingingo igomba gufatwa* ».

- Ku matora y'abajenama b'amakomine nayo, iyungururizo rya mbere ni muri CEPI, irya kabiri aririyo ryanyuma ni muri CENI nk'uko tubisanga mu ngingo ya 74, agace ka 4 y'ibwirizwa rigenga amatora ivuga iti : *« Ibirego bishikirizwa Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara mu kiringo c'imisi ibiri ikurikirana kuva habaye itangazwa ry'amajwi vy'imfatakibanza. Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara ufise ikiringo c'imisi itatu ikurikirana kuva wituwe kugira ufate ingingo. Uwitwaye atashimye ingingo yafashwe afise ikiringo c'imisi itatu ikurikirana kuva amenyeshejwe ingingo yafashwe kugira ashobore kwunguruza mu Murwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose ufise ikiringo c'imisi ine ikurikirana kuva wituwe kugira ufate ingingo. Ingingo zifatwa n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose ni ntabanduka. Ingingo zafashwe zica zirungikirwa Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara, na wo ugaca utangaza ibiharuro ntabanduka vyavuye mu matora. Ivyo biharuro bica birungikirwa Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose ».*

- Kubijanye n'ivyavuye mu matora y'abajenama b'imitumba n'ama karitiye navyo, iyungururizo rya mbere ni muri CECI, irya kabiri naryo aririyo rya nyuma ni muri CEPI nk'uko tubisanga mu ngingo ya 73, agace ka kabiri ry'ibwirizwa rigenga amatora, ivuga iti *« Ibirego vyoba bihari bishikirizwa Umurwi wigenga ujejwe amatora mw'ikomine mu kiringo c'imisi itatu ikurikirana kuva habaye itangazwa ry'amajwi vy'imfatakibanza. Umurwi wigenga ujejwe amatora mw'ikomine ufise ikiringo c'imisi itandatu ikurikirana kuva wituwe kugira ufate ingingo. Uwitwaye atashimye ingingo yafashwe afise ikiringo c'imisi ine ikurikirana kugira ashobore kwunguruza mu Murwi ujejwe amatora mu ntara kuva amenyeshejwe iyo ngingo. Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara ufise ikiringo c'imisi ine ikurikirana kuva wituwe kugira ufate ingingo. Ingingo zifatwa n'Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara ni **ntabanduka** ».*

3. Muri iki kiganiro twashaka kubabwira ko ku mitumba n'amakaritiye 3044 agize igihugu c'Uburundi cose, Umugwi CENI waronse amakete (17) avuye ku mitumba (17) ni ukuvuga 0,55% wandikiwe na bamwe mubitoje batashimye inyishu bahawe n'imirwi CECI na CEPI kubirego bari bashikirije basaba kurenganurwa kuvyavuye mu matora y'abajenama b'imitumba yo ku wa 25/8/2025. Umugwi CENI wari wagiye urakurikiranira hafi ingene ibirego nk'ivyo bitangirwa inyishu hisunzwe

BNP

amategeko. Ahanini ayo makete n'ayo mu ntara ya Bujumbura, mu makariye amwe amwe ari mu  mu mazone amwe amwe ya komine Ntahangwa.

4. Vyongeye, twashaka kumenyesha abariko baradukurikirana ko umurwi CENI waronse ivyegeranyo vy'ivyavuye mu matora bishikirijwe n'imigwi CEPI nk'uko ingingo  y'179 ku gace kayo ka kabiri y'ibwirizwa rigenga amatora ibitegekanya, nayo ikaba ivuga iti : *« Umaze kwihweza ivyo abatashimishijwe n'ivyavuye mu matora mw'ikomine bawushikirije, Umurwi wigenga ujejwe amatora mu ntara uratangaza ivyavuye mu matora ntabanduka ugaca ubishikiriza bidatevye Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose, ugaha ikopi yavyo Buramatari na Musitanteri »*. Kuriayo makete yose umurwi CENI waragiye urishura umwe umwe wese kubimwerekeye.

5. Mu gusozera, umurwi CENI washaka gutanga umuco ukurikira:

- umaze kwihweza ibitegekanijwe mur'izo ngingo zose, umenyesheje ko ingingo zafashwe n'umurwi ujejwe amatora mu ntara (CEPI) ari **ntabanduka**;
- Umugwi CENI  uramenyesheje icese ko amatora yo ku mitumba n'amakaritiye yabaye ku wa 25/8/2025 yaheze kandi inzego zayavuyemwo ziri ku kivi kuva ku wa 17/9/2025 nk'uko ikirangamisi c'amatora kibitegekanya ;
- Ariko uwoba atanyuzwe, arashobora kwitura inzego z'ubutungane. Ingingo zizofatwa n'izo nzego z'ubutungane, umurwi CENI uzozubahiriza.

Bigiriwe i Bujumbura,

Igenekerezo rya 3/10/2025

Prosper NTAHORWAMIYE

Umukuru w'Umurwi CENI